Umuryango w'Abafurera ba Bikira Mariya Igenekerezo rya 15/09/2013
Umugabekazi wa Karumeri
Karumeri mu Burundi no mu Rwanda _____

Igituma: *Kumenyesha umugambi mushasha*

Kubanywanyi bahurikiye mu mirwi y'abambaye Isikapurari ya Bikira Mariya Umugabekazi wa Karumeri(Umuryango w'abanya-sikapurari).

Bavukanyi muri Kristu, ntore z'Imana n'Umuvyeyi Bikira Mariya, tugire amahoro ya Kristu!

Kw'izina ry'Umuryango w'abafurera b'Abakarume bakukira intara ya Karakoviya bari mu Burundi no mu Rwanda, ndi n'iteka ryo kubamenyesha ko twiyumviriye gutegura no gutunganya inyigisho zerekeye Isikapurari zizohora zitangwa hakurikijwe urutonde n'ikirangamisi bizwi.

Nkako, igituma twiyumviriye kugira iyo ntambwe ni uko twabonye ko abambara isikapurari baguma bongerekana kandi abenshi bataronka insiguro zikwiye zijanye n'akarangamutima k'uwo muhari ukomoka k'Umuryango w'Abakarume. Ivyo twavyiyumviriye twishimikije amategeko azohora agenga uwo muhari w'abalayike bahitamwo kwambaza Umuvyeyi Bikira Mariya,Umugabekazi wa Karumeri.Turazi kandi ko abantu benshi batarategera imvo n'imvano z'abakristu benshi bambaye Isikapurari, eka mbere n'abamaze kwambara Isikapurari murakeneye kwama mwinagura mukuzirikana mwisubiriza ibintu bikuru bikuru biranga ubutumwa bw'abakarume kuko na mwebwe nyene mwifatanya n'abo mu butumwa bafise muri Ekleziya-Muryango.

Twaratunganije rero inyigisho zizotangwa rimwe mu mezi atatu. Izo nyigisho zateguwe hisunzwe ingingo Umuryango ushimikiyeko hamwe n'ubutumwa bw'abalayike muri Karumeri. Muzosangamwo inyigisho zishimikiye ku kumenya uruhara rwanyu mu muryango w'abakarume bimwe vyumwihariko no muri Ekleziya nzima muri rusangi.Tuboneyeho n'akaryo ko gutera akamo abasanzwe ari imboneza muri mwebwe kwitwararika guhurira hamwe kugirango mutegure neza ivyo mubwira abandi bijanye n'Isikapurari mutibagiye n'iteka ryo kugendera Inkuru Nziza y'Urukiza no kumenyesha Umuvyeyi Bikira Mariya, Umugabekazi wa Karumeri.

Irikete riherekejwe n'inyigisho zibiri zambere hamwe n'Ingingo zigize amategeko azohora agenga abavukanyi bahujwe n'Umuvyeyi Bikira Mariya biciye ku mwambaro w'Isikapurari. Kugirango kandi abahurikiye mu muhari w'isikapurari bagire ikimenyetso kibaranga kiza cuhirira isikapurari kuko yoyo tuyambara imbere y'impuzu, twarashinze ko hokorwa utujabitugu (foulards), tukaba tuzobarizwa mu bibanza bitatu: i Gitega mu kigo cakira abashaka kwiherera mu gacerere basenga (centre spirituel); kuri Paruwasi Musongati, aho benshi muri mwebwe mwaronkeye umwambaro kandi mubandanya kuja mu ntumbero yo kunagura imitima yanyu hafi y'abapatiri b'abakarume mu kubasaba impanuro n'ibindi vyiza vy'umutima; hamwe n'i Bujumbura mu kigo c'abakarume citiriwe umweranda Tereziya benedigita w'umusaraba. Ico kimenyetso muzohora mucambara mu gihe c'amakoraniro no ku misi mikuru itegerezwa y'abakarume na cane cane

igenekerezo rya 16 Mukakaro uko umwaka utashe. Ico mutegerezwa kumenya ni uko utujabitugu tudasubirira amasikapurari y'impuzu canke imidari.

Harategekanijwe amahwaniro ahuza abaserukira abandi ku maparuwasi kugirango tubasigurire neza ibijanye n'iyo ntumbero nshasha. Ndategekanya gutumako inama izohuza abasanzwe bafasha mu gutegura abashaka kwambara isikapurari hamwe n'abarongoye abandi, mu ntumbero yo gutunganya no gutora abaserukira abandi mu madiyoseze, mu maparuwase no mu mibano. Amatariki n'ikibanza tuzobibamenyesha mu misi iri imbere.

Twizigiye ko uwo mugambi uzofasha abarongoye Ekleziya gukurikiranira hafi ibikorwa vyanyu mu ndinganizo y'umuhari w'abambaye Isikapurari kugirango banabafashe gushishikara igikorwa Kristu yatanguye mu bantu mugukomeza ukwemera,ukwizigira n'urukundo maze isi ibonereho gukira.

Ndangije ndabipfuriza kuroranirwa mu bikorwa vyanyu mu kwama murajwe ishinga n'icoteza imbere Ekleziya-Muryango ngo imvugo ijane n'ingiro mu buzima bwanyu.

Imana ibahezagire, maze Umuvyeyi Bikira Mariya abandanye kubazigama mu mutamana wiwe mweranda.

Menya neza!

Ku rupapuro rwa nyuma rw'inyigisho yambere muzosangako amazina y'abo mushobora kubaza mu gize amadidane n'aho babarizwa.

Bigiriwe i Gitega ku wa 15/09/2013

Furera Yohani Mariya Vianney SAKUBU

Umwibutsamana w'abanyamuryango
w'isikapurari mu Burundi

Patiri Frederiko JAWORSKI, OCD

Bishizweko umukono na Nyakwubahwa

Bimenyeshejwe:

- *Abungere b'amadiyoseze yose ya Ekleziya y'Uburundi.*
- *Abapatiri barongoye amaparuwasi yose n'abajejwe ubutumwa bw'imihari n'imirwi y'ubutumwa mu ma paruwasi.*